Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com
Facebook : Journal ndongozi y'uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°851 15 Munyonyo 2025

## Itangazo risozera Inama isanzwe y'Abungere bahurikiye muri ACOREB

Foto: Chanel HARINGANJI

1. Karadinale, Abungere bakuru, n'Abasenyeri bahurikiye mw'Ishirahamwe ry'Amanama ry'Abepisikopi Katorika y'Urwanda n'Uburundi (ACOREB) barakoranye mu nama yabo isanzwe yabereye mu kigo citiriwe « Oasis de Paix et de Réconciation » (CINOPR) i Kiriri, mu gisagara ca Bujumbura, kuva kw'igenekerezo rya 9 gushika ku rya 12 Munyonyo 2025.

2. Imbere yuko Inama itangura, Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventure Nahimana, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega asanzwe arongoye Inama y'Abepisikopi Katolika y'Uburundi akaba ariwe kandi anarongo-ye muri kino gihe iryo Shirahamwe, yarahaye ikaze abo bahurikiriye muri iryo shirahamwe mu gihe bariko barasangira inzimano.

Bukeye bwaho inyuma y'inkuka y'Imisa, Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventure Nahimana yaciye atanguza ibikorwa vy'ugurura iyo nama.

3. Muri iyo nama, abo Bungere bakaba barabiye hamwe ibi bikurikira:

- Guhanahana amakuru ajanye n'ubuzima bwa Ekleziya n'imibano muri ivyo bihugu,

-Gushikirizwa ingingo zavuye mu nama y'ishirahamwe ry'amanama y'Abepiskopi Katolika bo muri Afrika (SCEAM) yabereye i Kigali muri Myandagaro 2025, ikaba nayo yari yo kwigira hamwe ivyerekeye ubuzima bwa Ekleziya muri Afrika;

- Kuraba ingene amashure menyeshamana akukira ACOREB atunganijwe muri iki gihe n'ibibazo yoba afise;

- Kurabira hamwe ikete rya mbere «Dilexi te» (Naragukunze), rya Papa Fransisko rijanye n'urukundo rw'aboro n'uburyo urwo rwandiko rushobora gufasha abakri-

Soma ku Rup. 3

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Paruwase Kinama yaraye yibarutse Paruwase Gahahe yitiriwe «Umwungere mwiza»




Foto: Chanel HARINGANJI

«Paruwase Gahahe» yitiriwe «Umwungere Mwiza» ni paruwase igira 40 mu ma paruwase agize diyoseze nkuru ya Bujumbura, ibonye izuba ku wa 15 Munyonyo 2025, mu gihe yari yatanguye ari Chapelle Carama-Gahahe-Gatu-nguru kuwa 23 Kigarama 2017, mu ntumbero yo gupfunyiriza urugendo abakristu bo muri ako karere.

## Ibirimwo

o Umweranda John Henry Newman yatewe iteka ryo kuba umwigisha w'Ekleziya.....6
o Ukuri niyo nzira irashe yo kunywanisha abarundi.....7
o .Umukozi aberwa n'impembo.....9
o Ububasha bwa sentare zidasanzwe mu manza z'amatati no mu manza z'ivyaha.....10

# Idominika ya 33 : *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: Malakiya : 3,19-20

Ivyo dusoma mu gitabu c'IUmuhanuzi Malakiya :

(*Umunsi w'Umukama*)

Nkako, ehe, ng'uyu umusi w'Umukama uraje, waka uturira nk'itanure. Abanyabwishime bose, n'abo bose bakora ibikorwa vy'ububisha, bazocika ishingwe. Uyo musi uje uzobarigita. Ni irivuzwe n'Umukama Nyeningabo. Nta muzi canke ishami uzobasigariza.
Ariko mwebwe mwubaha izina ryanje, izuba ry'ubutungane rizobaserukira, rifise urukiza mu mishwarara yaryo.

## Igisomwa ca kabiri: 2Abanyatesalonika: 3, 7- 12

Ivyo dusoma mw'ikete rya kabiri Umutumwa Paulo yandikiye Abanyatesalonika :

(*Nihagira umuntu yanka gukora, n'areke n'ukurya)*

Ncuti zanje :
Murazi neza ukuntu mwotwigana, kuko tutareze amaboko iwanyu; kandi ata we twaririye ivya gusa, ariko twama dukora ijoro n'umutaga, tugacumukura, kandi tukaruha, kugira ngo ntihagire uwo tugora muri mwebwe.

Si uko tutari tubifitiye uburenganzira, ariko twashatse kubabera akarorero ngo mutwigane. Nkako, aho twari tukiri iwanyu, ng'ibi ivyo twabategeka: Hagize umuntu adashaka gukora, n'ukurya ntarye.

None turumva yuko muri mwebwe harimwo abirirwa bayererera, bakibera ng'aho, ntihagire ico bakora, ariko bakisuka mu vy'abandi. Abantu mwene abo, turabategetse twongera tubahanura mu Mukama Yezu Kristu, ngo bakore mu mutekano, babone kurya ivyo bakoreye.

## Inkuru nziza: Luka : 21,5– 19

***Alleluya, Alleluya.***

- Murame muraramuye umutwe, kuko ubukiriro bwanyu bwegereje.

***Alleluya.***

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka:

(*Murinze rugabo, niho muzokiza imitima yanyu*)

Umunsi umwe, Yezu araheza abwira abavuga ko Ingoro y'Imana isharijwe n'amabuye meza hamwe n'imperezwa zeguriwe Imana ati: «Ivyo mubona, hazoza imisi hatazosigara ibuye rigeretse ku rindi ridakorotse.» Baramubaza bati: «Mwigisha, ivyo bizoshika ryari, canke ikimenyetso igihe c'uko ivyo bintu bigira bishike ni nyabaki?»

Yezu araheza avuga ati: «Murabe maso ntihagire abazobahubisha! Hazoza benshi biyitirira izina ryanje, bavuga bati: "Ni jewe", kandi bati: "Igihe kiri hafi". Ntimuze mubakurikire. Nimwumva bavuga indwano n'imigumuko, ntimuzogire ubwoba, kuko ivyo bintu bibwirizwa kubanza gushika, yamara umuhero ntuzoca uza ubwo nyene.» Araheza ababwira ati: «Intara izohangana n'iyindi ntara, ubwami buhangane n'ubundi bwami. Isi izonyiganyiga cane, irya n'ino hatere amapfa n'akaranda. Hazoba ibintu biteye ubwoba n'ibimenyetso bihambaye bivuye mw'ijuru. Yamara imbere y'ivyo vyose, bazobafata, babaturubike, babashengeze mu masinagoga, babate mu mabohero, mujanwe imbere y'abami n'imbere y'abatware, muhorwa izina ryanje, bitume munshingira intahe.

None rero, bizirikane neza mu mitima yanyu ko mutazorinda kwiyumvira iryo muri bubishure. Jewe nyene nzobihera imvugo n'ingingo, abansi banyu bose batazoronka aho baca ngo babahinyuze. Muzoshengezwa n'abavyeyi banyu nyene, abo muvukana, incuti n'abagenzi kandi bazokwica bamwe muri mwebwe. Muzokwankwa na bose muhorwa izina ryanje. Ariko haba n'agashatsi na kamwe kazobava ku mutwe ngo kazimirire. Murinze rugabo, ni ho muzokiza imitima yanyu.»

## Amahadabu atangishwa abarenga amategeko agenga isuku n'isukura

*Ingingo ya 4:*
*Ahanishwa ihadabu ry'amafaranga y'amarundi ibihumbi ijana (100.000BIF), uwo wese akoresheje ibibanza bihuriramwo abantu benshi, nk'ubunywero, uburiro, ubutambiro, ibibanza vyo gusengeramwo, amasoko, amavuriro adafise utuzu twa surwumwe tubereye.*

*Ingingo ya 5:*
*Awo wese afise canke aba mw'itongo riri kw'ibarabara rigenewe bose, ategerezwa kugira isuku n'ukubungabunga inkombe zaryo. Atabigize, ahanishwa ihadabu ry'amafaranga y'amarundi ibihumbi mirongo itanu (50.000BIF) mu bisagara, n'ibihumbi bibiri (2.000BIF) ahatari mu bisagara.*

# Itangazo risozera Inama isanzwe y'Abungere bahurikiye muri ACOREB

(Bitangurira ku rup.1)

stu kubaho mu rukundo rw'ukuri;
- Utuntu n'utundi.

**I. Gusabikanya ku bijanye n'imibano yama Ekleziya barongoye**

4. Abepisikopi b'Urwanda n'Uburundi babanje guha ikaza Nyenicubahiro Musenyeri Emmanuel Ntakarutima arongoye Diyoseze ya Bubanza na Nyenicubahiro Musenyeri Léonidas Nitereka aro-ngoye Diyoseze ya Rutana, bari bitavye ubwa mbere ibikorwa vy'iyo nama.

Mu nyuma baciye batandukira ivyo bahurirako mu ma Ekleziya barongoye be n'ayo kw'isi yose.

5. Abungere barahimbawe n'intunganyo hamwe n'ihimbazwa ya Yubile y'imyaka 2025 irangiye Umukiza Kristu Yezu atuvukiye. Iyo Yubile yatumye abakristu binagura ku mutima kandi bagasangira urungendo mu kwizera kudatetereza (Abanyaroma 5,5).

Iyo Yubile kandi yahuriranye n'uko ubwa mbere Ekleziya yo mu Rwanda iriko irahimbaza nayo Yubile y'imyaka 125 irangiye Inkuru nziza ya Yezu Kristu isamiranye muri ico gihugu, ubwa kabiri yahuriranye n'ihimbazwa rya yubile y'imyaka 100 hatiwe abasaserdoti ba mbere mu Burundi.

Ayo mayubile yose re-ro ni akaryo keza ko guhinduka ku mutima kw'abungere n'igihugu c'abakristu kugira ngo bashobore gukomeza amahoro, umuvukano n'ukurekuriranira.

6. Mu kwezi kwa myandaga 2025, Ekleziya y'i Burundi yarahimbawe n'ukwakira Beniteka Kardinali Michael CZERNY ashinzwe igisata ca Papa c'Iterambere ry'umuntu, na Kardinali Pietro PAROLIN, Umunyama-nga wa Papa Leho wa 14, akaba kandi ajejwe ivy'intwaro n'imigenderanire ya Reta y'i Vatikano n'ibindi bihugu.

Ashitse mu Burundi, Nyeniteka Kardinali Michael CZERNY yagendeye i-mpunzi z'abanyekongo bahungiye mu Cibitoke, i Cishemere muri Diyoseze ya Bubanza, akaba yagiye abashiriye n'imfashanyo, aho yahahereje n'inkuka y'imisa ari kumwe n'Intumwa ya Papa mu Burundi hamwe n'Abepiskopi bose bo mu Burundi n'abasaserdoti batari bake.

Nyeniteka Kardinali Pietro Parolin, Umunyamanga wa Papa Leho wa 14, akaba kandi ajejwe ivy'intwaro n'imigenderanire ya Vatikano n'ibindi bihugu, yaragendeye Uburundi. Akaba yarabonanye n'Umukuru w'Igihugu c'Uburundi Evariste Ndayishimiye ku kirimba iwe.

Inyuma y'uwo mubonano, aho nyene ku kirimba, Kardinali Pietro Parolin yaciye atera umukono ku masezerano indwi yiharije ahuza Inama y'Abepiskopi b'Uburundi na Reta y'Uburundi akaba ari na yo masezerano ahuza Uburundi n'ikirimba ca Papa (Saint Siège).

Ayo masezerano "Accords Cadres" niyo yerekene ugukorana neza hagati y'Ekleziya na Reta y'Uburundi.

Umunyamabanga wa Vatikano Kardinali Pi-etro Parolin yahereje inkuka y'imisa nyeranda y'ugusozera Yubile y'imyaka 60 y'imigenderanire n'ubucuti hagati y'Uburundi na Roma (Saint Siège). Iyo nkuka y'imisa yahererejwe ku musozi wa Siyoni Giku-ngu i Bujumbura.

Yarongeye arahezagira icese ikibanza kizokwubakwamwo ivuriro rizokwitirirwa Umuhisi Musenyeri Michael COURTNEY, Intumwa ya Papa yagandaguriwe mu Burundi, hariya mu Minago. Ivyo bikorwa vyabereye mu Minago, muri Diyoseze ya Bururi.

Yagiriyeko kandi ahezagira ibuye rizoshingwa ahazokwubakwa iseminari nkuru izokwitirirwa Musenyeri Michael COURTNEY, muri diyoseze ya Ruyigi.

Kw'igenekerezo rya 15 Myandagaro, ku munsi mukuru w'Iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya, Kardinali Pietro Parolin yarahereje inkuka y'imisa nyeranda ku Kirimba ca Bikira Mariya Umwamikazi w'amahoro c'i Mugera muri Diyoseze nkuru ya Gitega. Ni naho yaciye atangariza icese ko Ise-ngero ya Mugera itewe iteka ry'ukwitwa Ise-ngero Nkuru ya Papa, bita "Bisilika". Iyo Bazilika yitiriwe Antoni w'i Paduwa mweranda.

7. Ekleziya y'i Rwanda yarahimbawe n'ukwakira Inama igira 20 y'Ishirahamwe ry'amanama y'Abepiskopi Katolika bo muri Afrika (SCEAM) yabereye i Kigali ku wa 4 Mukakaro 2025, ikaba nayo yasozerewe n'urugendo rwagana ku kirimba ca Bikira Mariya i Kibeho.

8. Ku vyerekeye imibano na politike, Abungere barashimishwa n'uko muri rusangi ibiguhu vy'Urwanda n'Uburundi birimwo umutekano; a-riko bakababazwa n'uko imbibe zo hasi z'ivyo bihugu zicugaye.

Barababazwa kandi n'uko ibiciro vy'ibintu vya nkenerwa biguma bizimba bigatuma abanyagihugu baba mu bukene butagira izina.

Abungere baratakambira amareta y'Urwanda n'-Uburundi gukomeza ibiganiro kugira ngo imigenderanire yongere ikomere maze hasubire kuba uruja n'uruza rw'ibintu n'abantu mu mwidegemvyo.

Barasubiye kandi kugaragaza umwitwarariko bafise ku banyagihugu bugarijwe n'intambara n'ayandi mabi yose, bo mu karere k'ubuseruko bwa Congo.

*Biracaza*
*Patiri Noël Ntirandekura*

# Inyigisho ya Papa Lewo w'14 ku munsi mpuzamakungu ugira 9 wahariwe aboro: «*Ni wewe Mizero yanje*» (Raba Zab 71, 5

Amafoto yo mu bubiko

Ku musi mpuzamakungu ugira icenda wahariwe aboro, Nyenubweranda Papa Lewo w'14 yarashikirije inyigisho iremeye kw'ijambo: «**Ni wewe Mizero yanje**» (Raba Zab 71, 5). Avuga ati:

1. «Mukama Mana yanje, ni Wewe mizero yanje» (Zab 71, 5). Ayo majambo adudubiza ava mu mutima washegeshwe n'amakuba aremereye. Umuririmvyi w'izaburi ati : «Ni wewe watumye mbona amagorwa n'amabi menshi» ( v. 20). Ni wewe mizero yanje (cf. Ps 71, 5).

Naho biri uko, umutima wiwe uguma uteze nk'irembo kandi wizigiye; kuko uraremye mu kwemera, ukishimikiza intabaro y'Imana kandi ukabishingira intahe: « Uri urutare rwanje ukaba n'ubuhungiro bwanje butamenwa » (v.3).

Aho niho hashingiye umwizero utayegayega kuko uwizigiye Umukama adateterwa. «Umukama ni We mahungiro yanje, ese ntokwigera ntetererwa» (v.1). Mu mageragezwa yo ngaha kw'isi, umwizero ushigikirwa n'uko kwemera kutayegayega kandi kuremesha kuva ku rukundo rw'Imana rwasasagajwe mu mitima yacu ku bwa Mutima Mweranda.

Nico gituma uwo mwizero udatetereza (raba Abanyeroma 5, 5), kandi Pawulo mweranda akavyandikira Timote ati : « Nkako nyene, igituma twiruhisha tukama mu rugamba ni uko twashize umwizero wacu ku Mana nzima, yo Mukiza w'abantu bose, cane cane w'abemera » ( I Timote 4, 10).

Imana nzima «ni Yo Mana y'umwizero» (Abanyaroma 15, 13), muri Yezu Kristu, kubw'urupfu n'izuka ryiwe, yarabaye «Umwizero wacu » (1 Timote 1, 1).

Ntidushobora kwibagira ko twaronse urukiza ku bw'uyo Mwizero nyene kandi ko dutegerezwa gushinga imizi muri wo nyene.

2. Umurushwa arashobora kuba icabona c'umwizero ukomeye kandi nyawo kubera yuko awushingira intahe mu vyo abayemwo bitoroshe, birimwo amamananiza atari make, amagara make n'ugukumirwa. Ntashira imbere ubukuru n'itunga; ahubwo nyabuna kenshi usanga bimugwako kandi bikamuhungabanya.

Ahubwo umwizero wiwe ushingiye ahandi. Igihe twemeye ko Imana ari yo Mizero yacu yambere kandi ntasubirizwa, biduha natwe kwinjira mu rugendo, tugaca hagati rutuvana y'myizero y'akanya gato n'umwizero utayegayega.

Twihweje akanyota ko kwironkera Imana nk'umusangirarugendo, amatungo yo kw'isi ntaba akituboha kuko biduha kwûbura itunga nyakuri twese ducambirwa.

Amajambo Yezu yakoresha mu guhimiriza abatumwa biwe aguma asamirana cane kandi mu buryo butomoye. «Ntimukirundire amatungo kw'isi, aho umuswa n'ingese biyogeza, aho ibisuma bimena kandi bikîba. Ahubwo ni mwirundire amatungo mw'ijuru, aho ata muswa ata n'ingese biyayogeza, aho ibisuma bitamena kandi bitiba» (Matayo 6, 19-20).

3. Ubukene buhebuje ni ukutamenya Imana. Ni navyo Papa Fransisiko yatwibukije aho yandika mu nyigisho «Akanyamuneza k'Injili» (Evangelii gaudium): «Ugukumirwa gusumbirije aboro bagirirwa, ni ukwitabwaho guke mu bijanye n'umutima.

Aboro benshi bariyugururira ku buryo buteye igomwe ukwemera; barakeneye Imana, natwe dutegerezwa kubashikiriza ubwo bucuti bwayo, umuhezagiro, Ijambo ryayo, uguhimbaza amasakaramentu no kubarangira inzira ibaha gukura no gutera imbere mu kwemera » (n.200).

Aho rero niho dusanga ugutegera gusumbirije kandi guhambaye ko kwûbura mu Mana itunga ryacu. Umutumwa Yohani ni we ashimika agira ati: « Umuntu yovuga ati "ndakunda Imana" kandi yanka mwenewabo, yoba ari umubeshi. Nkako nyene, uwudakunda mwenewabo abona ntiyoshobora gukunda Imana atabona » (1Yohani 4, 20).

Iryo ni itegeko ry'ukwemera n'akabanga k'umwizero: itunga ryo ngaha kw'isi, itunga riboneka, ukwiryohera, ukwikwiza mu vy'itunga, naho ivyo vyose bihambaye, ntibishobora gucika ubuhirwe bubumba umutima wa muntu. Kenshi na kenshi itunga rirahenda rigacuranguza mu bundi bukene bubi, utanguriye ku kwiyumvira ko tutagikeneye Imana kandi ko dushobora kwitunganiriza ubuzima tubanje gushibura iyo Mana.

Aya majambo y'Umweranda Ogusitino arangarutse mu bwenge : « Ese umwizero wawe wose wowushira mu Mana; maze wumve ko uyikeneye kugira ngo ubumbwe na Yo. Mutari kumwe ivyo uzoba ufise bizorushirizaho kugusiga wumye, uri ikirohori » (Enarr. in Ps. 85,3).

4. Umwizero rukristu duhabwa n'Ijambo ry'Imana ni ukwemera kumeze nk'agakoni twitwaza mu nzira y'ubuzima kuko kudafatiye ku nguvu za muntu, mugabo gushimikiye ku muhango w'Imana yama ari mudatanamundagano.

Ni naco gituma, kuva na kera hose abakristu bamye bagereranya ukwizigira n'ikizirika-mato kigumye kandi gihumuriza. Umwizero rukristu ni nk'ikizirika-mato gituma umutima wacu mu ushora imizi mu mwizero duhabwa n'Umukama Yezu yadukijije ku bw'urupfu n'izuka ryiwe kandi azogaruka hagati

*Ibik. urup.9*

***Chanel HARINGANJI***

# Inyigisho ya Papa Lewo w'14 ku munsi mpuzamakungu ugira 9 wahariwe aboro: «*Ni wewe Mizero yanje*» (Raba Zab 71, 5

(Bitangurira ku rup.4

yacu.

Uyo mwizero ushishikara utwereka ko dutera tugana "amajuru mashasha" n' "isi nshasha" (2 Petero 3, 13). Igisagara c'Imana kiratubagata ngo dushikire ibisagara vy'abantu.

Ivyo na vyo kuva ubu bihamagariwe gusa na co. Umwizero, ushigikiwe n'urukundo rw'Imana rusasagaye mu mitima yacu ku bwa Mutima Mweranda (raba Abanyeroma 5, 5), urahindura maze ukamisha umutima wa muntu ugashobora kwama urukundo rubeshaho isi.

Uruhererekane muri Ekleziya ntiruhengeshanya kwemeza uwo muzingi nyabutatumagiriranire w'ingeso y'ukwemera, ukwizigira n'urukundo. Ukwizigira kuvyarwa n'ukwemera, kurakugaburira, kukagushigikira ku mushinge w'urukundo ruvyara ingeso nziza zose. Ni mwene urwo rukundo dukeneye mu minsi ya none, ubu nyene. Si umuhango, ahubwo ni ukuri tugenda duhanga mu kanyamuneza no mu mwitwarariko. Uko kuri kuratubagata, kukamurikira ingingo zacu zose dufata ku neza ya bose.

Nico gituma, uwutarangwa n'urukundo, atabura gusa ukwemera, ariko kandi arasahura umwizero mwene wabo.

5. Ijambo ry'Imana ridutumirira umwizero ni naryo kandi ridusaba kwitwararika tudatevye amabanga dufise. Nkako, urukundo « ni ryo bwirizwa rikuru mu buzima bw'ikibano» (Catéchisme de l'Église catholique, 1889).

Ubukene bufise imizi ifatiye kw'itunganywa ribi ry'ubuzima dutegerezwa guhangana no kurandura.

Muri ico kiringo dutegerezwa kurondera kurema ibimenyetso bishasha vy'umwizero nkuko aberanda benshi babikoze muri kahise. Amavuriro n'amashure, nk'akarorero, ni inyubakwa zashizweho ngo zakire abatobato na cane cane ba birenzwamaso.

Aboro botegerejwe gushirwa mu myitwarariko y'abajejwe intwaro bo mu bihugu vyose, ariko akenshi intambara n'ubusumbasumbane mu bantu biracasubiza inyuma uwo mwitwarariko.

Haribonekeza mu misi ya none, ibigo vyo kwakira aboro, imibano yitwararika urwaruka rukiri ruto, imigwi yitwararika kugaburira aboro, ibibanza vyo gutanga uburaro, amashure yugururiwe bose, vyarabaye ibimenyetso vy'umwizero: ivyo vyose ni ibimenyetso bitaboneka kenshi turenza amaso, dufata minenerwe kandi bihambaye iyo hageze gukabura abantu ngo bave mu ngendo yo kutababara abandi no kubatumirira kwitangira abandi bivuye ku gushaka kwabo! Aboro kuri Ekleziya si utugenegene, ni abavukanyi bakundwa b'Imana kuko umwe wese, ku bw'ukubaho kwiwe no ku bw'amajambo n'ubwitonzi bimuranga, adutumirira gutegera ukuri kw'Inkuru nziza.

Nico gituma, Umusi mpuzamamakungu wahariwe aboro ushaka kwibutsa imibano yacu ko aboro bari mu myitwarariko y'ubutumwa bwose. Ivyo ntibifatiye ku ruhande rujanye n'urukundo gusa ariko kandi rufatiye ku vyo Ekleziya ihimbaza kandi yigisha.

Imana yarafashe ubukene bwabo kugira ngo idutungishe ku bw'akamo kabo, ibibashikira n'indabo yabo.

Ubwoko bwose bw'ubukene, ata na bumwe dukuyemwo, ni akamo ko kugendera, mu buryo buboneka, Inkuru nziza no gutanga ibimenyetso biboneka vy'umwizero.

*Biracaza*

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Twagize urugendo rweranda ngo dusabe Imana umugisha wayo



Mu ntubero yo guhimbaza umunsi mpuzamakungu ugira 9 wahariwe aboro, aboro baserukira abandi muri diyoseze nkuru ya Bujumbura baragize urugendo rweranda , ku munsi wa gatatu ,bagana Katedrali Regina Mundi, Isengero Mvyeyi muri diyoseze ya Bujumbura kugira ngo bisabire kandi basabire abandi boro bafise amikoro make.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Umweranda John Henry Newman, yatewe iteka ryo kuba umwigisha w'Ekleziya.



Ku wa 1 Munyonyo 2025, i Vatikano Papa Lewo wa 14 yarahereje inkuka ya misa ya Yubire yabahurikiye mu mwuga wo kurera baba abigisha n'abanyeshure biga ku mashure n'amakaminuza akukira Ekleziya Katolika.

Muri iyo nkuka y'imisa, Papa yaratangaje icese ko umweranda John Henry Newman atewe iteka ryo kuba mu bigisha b'Ekleziya akongera akaba n'umuvunyi w'abigisha hamwe na Thomas w'i Aquino mwe-randa.

***None ubuzima bw'aberanda butwigisha iki?***

Mu nyigisho Papa Lewo yatanze uyo munsi, ati: « Ubuzima bw'aberanda ni intahe yerekana ko bishoboka kubaho uharanira gushikira ubweranda mu gusayangana nk'inyenyeri zimurika mu mwijima w'isi.

Mu beranda, turabona ko ubwami bw'Imana buri muri twebwe. » Muri uko kurondera u-bweranda, duhamaga-riwe guhanga amaso Yezu Kristu we mu nyigisho ziwe na cane cane iyijanye n'ubuhirwe (Matayo 5, 1-11) agaragara nk'umwigisha murezi arengeye abigisha bose; natwe tukaba abigishwa biwe.

***Yezu niwe soko ry'indero yuzuye.***

Mw'ishule ryiwe, turiga dufatiye ku buzima bwiwe kuba umutwenzi ubonesherereza ubumenyi bwose. Papa akipfuza ko amashure yose n'amakaminuza akukira Ekleziya Katolika yokwama ari ibibanza vyo kumviririzamwo no gushira mu ngiro Inkuru Nziza ya Yezu Kristu. Bakaba umuco kandi bakagarukana umwizero muri kino gihe akaranga k'abisi gashaka kuzimanganya ukwizigira.

Indero nziza, niyo itanga umuco mwiza ubonesherereza isi, kuko bitabaye uko, abenshi bazoguma bugaraniwe mu muzimagiza w'ubwoba no kuba basindabibazwa. Ubuzima bw'umuntu ntibuba umuco ngo nuko atunze, ari intore canke ahambaye, buba umuco ari uko umwe wese yakiriye itorwa ryiwe, akemera ko yahamagawe n'Imana, akumva ko afise itorwa, afise ubutumwa, ko ubuzima bwiwe bufise agaciro kari hejuru yiwe.

Umuntu wese rero arafise ikimazi; kandi agahamagarirwa gushikira ubweranda nkuko Papa Benedigito wa 16 yavyibukije igihe yashira Karadinali John Henry Newman mu bahimbaza mu Bwongereza ati: «Ico Imana yipfuza gusumba ikindi mu buzima bw'abantu, nuko boba beranda. Imana irabakunda urukundo atanumwe ahamvya uburiba bwarwo, ikipfuza kurusubizwa mu gushikira ubweranda kuko ariryo torwa dusangiye twese.»

Yahereheje iyo nyigisho yemerera abari aho ko asenga cane kugira ivyirwa bitangwa mu mashure akukira Ekleziya bifashe umwe wese kubona itorwa ryiwe ryo kuba mweranda.

***Umweranda John Henry Newman yatewe iryo teka ni nde?***

John Henry Newman yavukiye i Londres mu Bwongereza ku wa 21 Ruhuhuma 1801. Avukira mu muryango uri mw'ishengero rya Anglikane.

Ahejeje amashure kuri kaminuza Oxford yahawe ubudiyakoni mu mwaka w'i 1824. Haheze umwaka umwe aca aronka ubupatiri muri iryo shengero rya Angikane.

Mu 1828 yabaye patiri mukuru kuri paruwase ya kaminuza Oxford.

Mu mwaka w'1833, yanditse urwandiko yitiriye umuhari wa kaminuza Oxford, aho yegereza ishengero rya Angikane ku mizi yaryo ariyo Ekleziya Katolika.

Izo nyandiko naho zari zemejwe na Oxford, umwungere wa Anglikane yaciye azihagarika. Kuva ico gihe Newman yaciye ashikiriza amabanga ya Patiri mukuru.

Ku wa 9 Gitugutu 1945, yakiriwe muri Ekleziya Katolika, aca ahabwa isakramentu ryo gukomezwa muri Mutima Mweranda ku wa 1 Munyonyo 1945.

Mu waka w'1846 yinjiye mu muryango wabihebeyimana watangujwe n'umweranda Philippe Neri, aca aronka ubusaseredoti ku 30 Rusama 1847.

Mu kwezi kumwe aca atanguza umubano mu Bwongereza iruhande yi Birmingham. Muri Rusama 1879, Papa Lewo wa 13 yamugize umu Karadinale ari umusaseredoti. Newman ntiyigeze aba Umwepisikopi.

Yitavye Imana ku wa 11 Myandagaro mu mwaka w'1890.

Mu 1991 umweranda Yohani Pawulo wa 2 yamugize uwubahwa, Papa Benedigito wa 16 amushira mu bahimbazwa mu 2010, ku wa 13 Gitugutu 2019, Papa Fransisiko amushira mu beranda. Ku wa 1 Munyonyo 2025 aba umwigisha w'Ekleziya.

Tubamenyeshe ko abaye umwigisha w'Ekleziya agira uwa 38, bane gusa muri bo akaba ari abakenyezi: umweranda Tereza w'i Avila mu mwaka 1970, Katarina w'i Siyene mu mwaka 1970, Tereziya w'umwana Yezu mu mwaka 1997 na Hildegarde w'i Bingen mu mwaka 2012.

*MSV M Goreth Ndikumana*

# Ukuri niyo nzira irashe yo kunywanisha abarundi



Ibikorwa vy'umurwi CVR ujejwe gutohoza ukuri ku vyabaye mu Burundi birabandanya. Kuri uyu wa 13 Munyonyo 2025, Petero Claveri Ndayicariye arongoye uwo murwi, yarakoranije mu gisagara ca Bujumbura imvukira z'amakomine ya Ntega na Marangara kugira ngo baganire ku vyabaye muri izo komine zabo mu myaka y'1988. Ni mu ntumbero y'uko ukuri kuvugwa na beneko, abakubayemwo, kuko aribo bakuzi.

Petero Claveri Ndayicariye ati : « Twabahamagaye ngo mutuyagire ukuri ku vyabaye mu makomine ya Ntega na Marangara kuko ari mwebwe mukuzi. Ni mu ntumbero yo kubandanya twegeranya amakuru yose ashoboka kugira ngo twiteguririre ibikorwa vyo kwumviriza abenegihugu n'intahe tuzoshingirwa n'abari ku gatumba.»

Nk'uko Petero Claveri Ndayicariye abandanya abivuga, ngo umurwi CVR wumviriza impande zose kugira ngo hashobore gukorwa icegeranyo ataho gihengamiye. Imirwi y'abantu bumvirizwa ni nk'abari bafise amabanga mu ntwaro kiriya gihe, abatwara ubutungane, abari mumashengero. « Muri bino biganiro turimwo, duha ijambo ababibayemwo ubwabo, atari abaza kuganirira ivyo nabo baganiriwe. »



### Ukuri ni kumwe kuvyabaye muri Ntega na Marangara

Mu gihe havugwa ibitandukanye ku vyabaye muri Ntega na Marangara, Ndayicariye arongoye umurwi CVR abona ko imvugo zitandukanye ku vyabaye ari ikimenyetso c'uko hakiri ingorane mu bantu.

Ati : « Iyo ahantu haguye ibara nk'iriraho, inganda zigatikira, ariko ukumva bamwe bavuga uku, abandi bakavuga kuriya, ntibahurize neza na neza ku nkomoko y'ivyabaye n'ingene vyabaye, ni ikimenyetso c'uko abo bantu bataba barakira, bataba baremera kwugurukira ukuri. »

Uko kuvuga ibihushane ngo bibonekera cane cane mu nyandiko z'abanditse kahise k'ayo makomine n'ak'Uburundi muri rusangi, kuko hari abanditsi bavuga ibihushanye cane kandi bose bariko bavuga ku bwicanyi bumwe, bwabereye ahantu hamwe mu kiringo kimwe, ariko usomye ugasanga imvugo zabo ntizihuye namba.

Kubw'umukuru wa CVR, ngo ni ngaho hari insiguro y'ibiganiro bibera ku mugaragaro kandi bihamagarirwamwo abavuka komine, abavukantara, kuko aribo bazi ukuri. « Twebwe twumviriza bose, abahutu, abatutsi, abatwara, abatwarwa. Ntamurwi n'umwe twirengagiza kuko ikituraje ishinga ni kumenya neza ukuru ku vyabaye ».

Nk'uko Claveri abivuga, inyuma yo kwegeranya ivyiyumviro vyashikirijwe muri iyo nama, ngo bazoheza babishire hamwe n'ibindi vyiyumviro vyo mu bindi biganiro, babishire hamwe n'ivyanditswe n'aba na bariya, hanyuma hatangazwe ukuri ku bwicanyi bwabereye muri Ntega na Marangara mu mwaka w'1988. Asaba abazi ukuri bose, cane cane incabwenge zihavuka, gufasha umuwi CVR mu kuvuga ukuri batarya umunwa kandi ataho bahengamiye.

*Mélance NDAYIKEZE*

**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**MINISTERE DE LA JUSTICE DES DROITS**

**DE LA PERSONNE HUMAINE ET DU GENRE**

**TRIBUNAL DE RESIDENCE DE BUTIHINDA**

## ASSIGNATION A DOMICILE INCONNU

L'an deux mille vingt-cinq, le vingt quatrième jours du mois d'octobre,

A la requête de CONGERA Mohamed Mubalack, résident actuellement à TANGARA en Commune BUTIHINDA, Province de BUHUMUZA,

Je soussigné KAMANZI Rémy, Greffier du Tribunal de résidence de BUTIHINDA ai donné assignation à domicile inconnu à IRANKUNDA Aziza à comparaître devant le Tribunal de résidence de BUTIHINDA. Le 11 Décembre 2025 à huit heures du matin au Local ordinaire des audiences publiques pour qu'elle prenne connaissance de la demande introduite relative à une action en divorce.

Et pour que l'assigné n'en ignore, attendu qu'elle n'a ni domicile ni résidence connu dans ou hors de la république du BURUNDI, J'ai affiché une copie du présent exploit à la porte principal de l'auditoire du Tribunal de Résidence BUTIHINDA et envoyé une copie au journal B.O. B pour insertion.

**LE GREFFIER DU TRIBUNAL**

**DE LA TRIBUNAL BUTIHINDA,**

**Rémy KAMANZI**

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Umukozi aberwa n'impembo

Ishure ryisumbuye ryitiriwe Tomas w'i Akwino Mweranda ryegukira Ekleziya Gatorika muri paruwase Rutovu diyoseze Bururi, ku wa 7 Munyonyo 2025, ryari riramutse ritanga impamya bushobozi ku barerwa 137 muri 171 barangije umwaka w'ishure mu bisata 5 bigize iryo shure, hamwe n'itangwa ry'ubushimwe ku banyeshure barushije abandi amanota mu ntumbero yo gutera intege abanyeshure biga kuri iryo shure kugira bitwararike ivyigwa.

Ivyo birori vyatanguwe n'Inkuka y'Imisa yahererejwe muri paruwase Bikira Mariya Mizero y'abakristu ya Rutovu, ikaba yari yitabwe n'abanyeshure batari bake biga kuri iryo shure.

Mu kwitsa Ijambo ry'Imana, patiri Yohani Claude Ciza arongoye iyo paruwase, yashimikiye ku mpanuro zigabuye mu mirwi 2.

**1. Abarerwa.**

Yaramenyesheje abo barerwa ibintu 6 batarekuriwe gukora:

- Ntibarekuriwe gukoresha uko bigombeye ingabirano bahawe n'Imana,

- Ntibarekuriwe kwigenza uko bashaka,


- Ntibarekuriwe gusesagura umwanya,

- Ntibarekuriwe kwiga kubera abarezi bariko babatera igitsure,

- Ntibarekuriwe kwinyegeza ngo n'uko atawubabona ngo bikorere ivyo bigombeye,

Mu kubakebura yababariye ati: "Banyeshure, muhamagariwe kwitera iteka mu kurondera ubumenyi mutitaye kukurondera amanota yo kunguruzwa gusa, rondere gushika kure niho muzogira ico mwimariye, mukimarire imiryango, Ekleziya hamwe n'igihugu".

*Umuntu aba umuntu kubera Ubuntu bwiwe.*



Yarabandanije ati: "Ariko kandi, mugendere ubuntu n'ubukristu kanatsinda mwiga mw'ishure ryegamiye Ekleziya Gatorika, hejuru y'ubumenyi muhabwa mw'ishure, muraharonkera n'indero runtu na rukristu murereshwa n'ababarongoye, abo rero ni kirumara cane kuko ntibabavura ubujuju gusa ngo mugire ubumenyi bwo mw'ishure kandi mugire Ubuntu n'ubukristu bishobora kubafasha kubaho neza no kuba ngira kamaro mu gihugu.

Ndababwire mwa banyeshure mwe, naho mwomenya ibiharuro, igifaransa, icongereza canke mukaba abahinga mu vy'indimi, mutagira ubuntu n'ubukristu ivyo vyose ntanakimwe bizobamarira. Nico gituma rero muhamagariwe kwemera mukakira indero muhabwa, mwemere murerwe, mwemere mw'igishwe kandi mugamburuke amategeko y'ishure, mugamburuke impanuro muhabwa n'abarezi banyu kugira muhimbare abarezi n'abavyeyi babarungitse kwiga".

**2. Abarezi**

Abarezi ni kirumara mu buzima bw'umunyeshure. Nibo batanga iforoma ituma umurerwa avamwo umuntu w'ubuntu. Ni muri iyo ntumbero patiri Yohani Claude Ciza yabatekereye impanuro mu kubabwira ati: "Barezi, ntimukore nk'abakorera agahembo gusa kuko mwohava mwitwa abacangero, nyabuna nimumenye ko ari ubutumwa mukora. Muheze mukore muvuga muti, nako ubumenyi ntanga bwonyengetera koko abo njejwe ntitwararitse umushahara, kugira abana mpaye ubumenyi n'indero runtu bizobabere ikiraro kibashikana mu bundi buzima".

Iyo nkuka y'Imisa irangiye, baciye basubira mu bigo vy'iryo shure, ari naho haciye hatangirwa ubushimwe ku barerwa bavyitwayemwo neza mu gusumvya abandi amanota.

Ambassadeur Gabriel Ndihokubwayo arongoye ishirahamwe AENR, rigizwe n'abahoze biga kuri iryo shure baba mu mahanga akaba ari nawe yatanze ubushimwe, avuga ko kuva iryo shirahamwe baritanguye, bamaze imyaka ine bari ku kivi co gushigikira iryo shure ryabareze mu vyankenerwa bitandukanye, nko kwubaka uruzitiro rw'aho abigeme barara, haratanzwe amamashine nyabwonko agezweho 13, internet ifise umuvuduko wa 5G, gusakara uburaro hamwe n'inyubakwa y'ivyese tutibagiye n'ubwo bushimwe butuma haba ihiganwa muri abo barerwa. Abandanya avuga ko bafise urutonde rutari ruto rw'ibizorangurwa, ariko bakazoraba ibiza imbere gusumba ibindi.



Ikigiye gukorwa vuba muri ivyo, ni ugusanura igikoni n'ivyankenerwa vyaco vyose hamwe n'ibibanza vy'ubwiherero.

Ambassadeur Gabriel Ndihokubwayo, abandanya amenyesha ko nk'uko biri mw'ihangiro bihaye, ishirahamwe AENR ritazohengeshanya gushigikira iryo shure uko umwaka utashe mu kuritera intege kugira rishobore kuba-ndanya ritanga indero y'akanovera.

N'abarerwa bari bahejeje kuronswa ubushimwe, barakengurukira iryo shirahamwe AENR kuko rituma bagira inguvu mu kwiga bahiganwa mu gacerere. Baremeza ko indero n'ubumenyi bakuye kuri iyo shure bizotuma baba ba burundi bwejo igihugu cishimira.

Ubwo bushimwe bwahawe abanyeshure 3 barushije abandi kuri burigisata. Uwambere akaba yaronse amafranga ibihumbi 319, uwa kabiri ahabwa ibihumbi 299, uwagatatu ibihumbi 279. Haratanzwe kandi imipira yo gukina inkino zitandaukanye n'imyambaro hamwe n'udukoresho tw'isuku ku bigeme.

Furera Elia Nshimirimana arongoye iryo shure, arashima uwo mwimbu naho batashitse kw'ihangiro bari barihaye, ariko n'ivyo babikesha inguvu za benshi zagiye hamwe. Agakenguruka kandi ibikorwa bitunganywa n'ishirahamwe AENR kuko ari ibikorwa vyunganira iryo shure mu buryo budasanzwe.

Mwomenya ko iryo shure ryatanze izo mpapuro z'imitsindo ku ncuro ya 54, rikaba ryarararamuriye igihugu n'Ekleziya abashingantahe n'abapfasoni b'ijunja n'ijambo.

***Chanel HARINGANJI***

# Ububasha bwa sentare zidasanzwe mu manza z'amatati no mu manza z'ivyaha

Uburenganzira bwo kwitura sentare, ni uburenganzira bwa zina muntu wese, ariko ni nkenerwa ko umuntu wese amenya, iyo akeneye gutunganirizwa, sentare yitura kuko ziri ubwoko butandukanye.

Hariho sentare zisanzwe na sentare zidasanzwe, kandi umurwi wose ufise ububasha wisangije. Uno musi ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zinamuntu no gukinga ihonyabwoko (CPDHPG mu mpfunyapfunyo y'ikinyamazuru), categuye kubiganira i-vyerekeye ama sentare adasanzwe, n'ububasha zifise haba mu manza z'amatati ndetse no mu manza z'ivyaha.

Tuja kubanza kubadondagurira izo ari zo, hanyuma tubabwire ububasha bw'azo.

Tuja kwisunga ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro nomero 1/ 26 ryo ku wa 26 kigarama 2023, rihindura ibwirizwa nomero 1/08 ryo ku 17 ntwarante 2005, rishinga igitabu c'amategeko agenga itunganywa n'ububasha bwa sentare.

Sentare zidasanzwe rero ziri imice 5 nk'uko bitegekanijwe mw'iri bwirizwa ryanditswe aho hejuru:

1. Sentare y'akazi
2. Sentare y'ubudandaji
3. Sentare nkuru isubiramwo, ica imanza zerekeye ubudandaji
4. Sentare nkuru isubiramwo, ica imanza zerekeye ubudandaji
5. Sentare ijejwe kurwanya ibiturire

**1. Sentare y'akazi**

***1.1 Ububasha bwa sentare y'akazi mu manza z'amatati***

Ibijanye n'ububasha bwa sentare y'akazi mu manza z'amatati, bitegekanijwe mu ngingo ya 54 ya rino bwirizwa turiko turisunga. Ivuga ko yakira imanza zerekeye :



1°amatati yerekeye umukozi umwumwe ukwiwe canke ayerekeye abakozi bose aturutse ku kazi ari hagati y'abakozi n'abakoresha yerekeye amasezerano y'akazi canke ay'ukwimenyereza akazi.

2° amasezerano abakozi bagiranira n'abakoresha, canke ingingo ziba zafashwe n'umukoresha ziyasubirira ;

3° amatati yadutse hagati y'amashirahamwe ategekaniriza kazoza abakozi n'abakoresha yerekeye ikurikizwa ry'amategeko agenga ibijanye n'ugutegekaniriza kazoza abakozi hatirengagijwe ingingo z'iri tegeko mu vyerekeye ishirwaho ry'imigwi ifise ububasha budasanzwe bwo gutatura ubwoko bumwebumwe bw'amatati bufise ico bwisangije.
Imanza rero ziciwe, izo sentare ntizifise ububasha bwo kuzigira ntabanduka.

Imanza z'amatati ziciwe na sentare z'akazi zirashobora kwungururizwa muri sentare nkuru yo mu karere, isubiramwo imanza zahaciriwe. Bitegekanijwe mu ngingo ya 55.

***1.2 Ububasha bwa sentare y'akazi mu manza z'ivyaha.***

Ku vyerekeye imanza z'ivyaha, harategekanijwe mu ngingo ya 57 ko, muri sentare y'akazi, umucamanza aca imanza ijanye n'akazi afise ububasha bwo guca imanza zijanye n'ivyaha vyo kurenga amategeko y'akazi, amabwirizwa agenga ugutegekaniriza kazoza abakozi hamwe n'ingingo zo kuyashira mu ngiro.

**2. Sentare z'ubudandaji.**

***2.1 Ububasha bwa sentare y'ubudandaji mu manza z'amatati.***

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 65 ya rino bwirizwa, Sentare y'ubudandaji ica ku rugero rwa mbere imanza zerekeye:

1° amatati hagati y'abadandaza yerekeye ibikorwa vy' ubudandaji canke ibifatwa nk'ivyo hisunzwe amategeko mu gihe ata zindi sentare zibifitiye ububasha;

2° amatati yerekeye inzandiko z'ubudandaji zemeza imyenda.

Ingingo ya 66 nayo irategekanya ko, sentare y'ubudandaji yakira kandi :

1° amatati yadutse hagati y'abasangiye ishirahamwe ry'ubudandaji, hagati y'abari mu rwego nshingwantwaro, hagati y'abari mu rwego nshingwantwaro n'abasangiye ishirahamwe, hagati y'abagenduzi b'amakonte n'abari mu rwego nshingwantwaro, hagati y'abagenduzi b'amakonte n'abasangiye ishirahamwe, hagati y'abajejwe guheraheza ishirahamwe ryahomvye, hagati y'abajejwe guheraheza ishirahamwe n'abarisangiye, abari mu rwego nshingwatwaro, abagenduzi b'amakonte canke abajejwe guheraheza ishirahamwe ryahomvye n'abajejwe guhinyuza isuzuma ryakozwe mw ishirahamwe;

2° ivyo vyose vyerekeye uruhombo rw'ishirahamwe n'amasezerano yo kurizamura hisunzwe

Ibikur. urup. 11

# Ububasha bwa sentare zidasanzwe mu manza z'amatati no mu manza z'ivyaha

(Bitangurira ku rup.10)
ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko agenga ubudandaji;

3° imburano zerekeye amazina nkomoko y'ibidandazwa;

4° imanza zerekeye uguhindura canke ugufuta ivyanditswe mu gitabu c'ubudandaji.

***2.2 Ububasha bwa sentare y'ubudandaji mu manza z'ivyaha.***

Nk'uko bitegekanijwe mu ngingo ya 69, umucamanza asasa mu manza zerekeye ubudandaji araca kandi imanza z'ivyaha zerekeye ukurenga ku mategeko y'ubudandaji no ku ngingo ziyashira mu ngiro.

**3. Sentare nkuru isubiramwo imanza y'ubudandaji.**

*Ububasha bwa sentare y'ubudandaji isubiramwo imanza.*

Muri iri bwirizwa turiko turisunga, ntaho berekena uruhara iyi sentare ifise mu vyerekeye imanza z'ivyaha, ariko harategekanijwe mu ngingo ya 72 ko Sentare nkuru isubiramwo, ica imanza zerekeye ubudandaji, yakira imanza z'amatati zerekeye ubudandaji, zaciwe ku rugero rwa mbere na sentare ibifitiye ububasha canke sentare nkuru y'igihugu iri mu karere iyo sentare ikoreramwo.

**4. Sentare isasa mu manza zega reta.**
*Ububasha bwa sentare isasa mu manza zega reta.*

No muri sentare isasa mu manza zega Reta, iri bwirizwa ntaho ryerekana uruhara rw'iyo sentare mu manza z'ivyaha, ariko ingingo ya 76 irategekanya ko yakira :

1° imanza z'abitwara basaba ko hafutwa ingingo zafashwe hatubahirijwe amategeko n'ibikurikizwa mu guca urubanza, kubera sentare yazifashe itari ibifitiye ububasha canke ingingo zafashwe n'ubutegetsi bwa Reta hamwe n'abategetsi bajejwe ivyerekeye intwaro bitwaje ububasha bafise;

2° imanza zisaba ko hasobanurwa, hihwezwa ko ingingo, amasezerano canke inzandiko zateguwe n'abajejwe intwaro zisunze amategeko, bikaba vyarungikiwe izo sentare kubera zibifitiye ububasha.

Sentare zica imanza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe zirashobora, iyo bikenewe, gufata ingingo ifuta canke itanga indishi ihuye n'agahombo kajanye n'ivyaha vyakozwe na sentare mu guca urubanza idafitiye ububasha;

3° imanza uwitwara asaba ko amasezerano mu bayagize harimwo abaserukira Reta yemezwa, ashirwa mu ngiro, agirwa impfagusa, ahagarikwa canke afutwa;

4° imanza zerekeye abagirizwa amakosa adafatiye ku kurenga amasezerano canke ku bifatwa nkayo mu gihe agahombo uwitwaye yagize katurutse ku gikorwa canke ku nyifato y'abajejwe intwaro canke ku bikorwa vya Reta;

**5. Sentare ijejwe kurwanya igiturire.**

*Ububasha bwa Sentare ijejwe kurwanya igiturireyo*

Sentare ijejwe kurwanya igiturire n'ivyaha bifitaniye isano, ni yo ijejwe guca imanza zijanye no gukinga no kurwanya igiturire n'ivyaha bifitaniye isano.

Iyo sentare iburanisha ubwa mbere abantu bafise uburenganzira bwo kutaburanira muri sentare izo ari zo zose bahabwa n'iri bwirizwa. Ibi bitegekanijwe mu ngingo ya 84.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko iyo sentare yakira iyunguruzwa y'imanza zaciwe n'ibisata bijejwe guca imanza zijanye n'igiturire n'ibindi vyaha bifitaniye isano biri muri sentare nkuru z'igihugu.

Ingingo ya 85 nayo ivuga ko imanza zaciwe na sentare ijejwe kurwanya igiturire zirashobora gusubirishwamwo, kwungururizwa mu gisata ca sentare ntahinyuzwa kijejwe guca imanza no guzisambura.

Zirashobora kandi gusabwa gusubirishwamwo hisunzwe ingingo ziyerekeye ziri mw'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 86, bihagarariwe n'umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika, umushikirizamanza yegamiye sentare irwanya igiturire aragira amatohoza yisunze ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa agaheza agashengeza uwagirizwa mu gihe abonye ibimenyetso vy'icaha bigaragara.

Ikindi naco n'uko, umushikirizamanza akukira sentare irwanya igiturire, yisunze ibwirizwa rikinga rikongera rigahana abarya igiturire, afasha sentare mw'ikurikizwa ry'urubanza. Bitegekanijwe mu ngingo ya 87.

Mu gusozera, twomenya ko bishitse umuntu akitura sentare idasanzwe ashaka ko imutunganiriza, ni vyiza kumenya sentare yitura iyo ari yo, kugirango ntahave ajuragirika ngo ahave yitura sentare itari yo.

Uko sentare zidasanzwe ari 5, imwe yose ifise ububasha yisangije, haba mu manza z'amatati ndetse no mu manza z'ivyaha, naho twabonye ko hariho zimwe zimwe ibwirizwa rigenga amasentare ryerekana ko zifise ububasha mu manza z'amatati.

***Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Umunsi mukuru wa Karoli Mweranda no gushikiriza Musenyeri Blaise Nzeyimana

Kw'igenekerezo rya 8 Munyonyo 2025, mu kigo c'Iyandikiro ry'Ibitabu Les Presses Lavigerie harahimbajwe umusi Mukuru wa Karoli Borome Mweranda, Umuvunyi w'ici kigo.

Uwo musi Mukuru ukaba usanzwe uhimbazawa muri Ekleziya igenekerezo rya 4 Munyonyo. Ibirori vy'uwo musi vyatanguranye n'Inkuka ya Misa yari irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, Umwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura ari ku mwe na Nyenicubahiro Musenyeri Blaise Nzeyimana, Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi.

Mu ntango y'Imisa, Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, Umwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yaboneyeho akaryo ko kubwira abari aho ko igihe ciwe co guserukira Les Presses Lavigerie mu Nama y'Abepispoki Gatotika b'i Burundi carangiye, aca abashikiriza Nyenicubahiro Musenyeri Blaise Nzeyimana, Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi ko ari we amukoreye mu ngata, mu guserukira Les Presses Lavigerie muri iyo Nama.

Mu nsiguro yatanze, Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa yarabwiye abari aho ko iyo umuntu afise umuvunyi aba ahiriwe rwose kuko uba afise uwuri mu birimba vy'Imana abandanya amuvugira, akamukandira kugira ngo aronke ivyo yipfuza kandi bijanye n'isahaka ry'Imana. Yarabamenyeshejeko kubona ico kigo kigihagaze neza ari igihe ciza co gukengurukira Imana yo dukesha vyose tukongera tugakengurukira n'uyu muvunyi Karoli Borome aguma atubera mu ngoro ngo gishobore kuguma kirangura ubutumwa cashinzwe bwo kumenyesha inkur nziza biciye mu bitabu no mu nyandiko. Yarashimiye cane cane abo bose bagikoreyemwo kandi bakagikoramwo nk'umuhamagaro batifata nk'abanyakazi basanzwe canke abacangero.

Yaribukije ibihuhusi ikigo Les Presses Lavigerie cagiye kiracamwo : ibihubuhusi vy'uko ivyuma vyazimvye ababikoresha na bo ata mikoro, ibihuhushi vy'ivyuma vyitwa amamashini n'ibindi bisaza, vy'uko amamashini asaza canke agasigwa, ibihuhusi vy'uko hari ayandi mazu menshi i Bujumbura n'ahandi akora nk'ivyo bakora muri Les Presses Lavigerie akabatwara abanywanyi n'ibindi.

Kugira ngo ikigo Les Presses Lavigerie kibe kigihagaze ni uko benshi batahakoze nk'abanyakazi gusa ariko bakagikoramwo nk'umuhamagaro w'Imana bafise umutima wo kukibungabunga ngo kigume gihagaze mbere gitere imbere.

Yabandanije ahanura abakozi b'ikigo Les Presses Lavigerie abipfuriza kugumana uwo mutima n'iyo ntumbero yo kuguma biyumvamwo uwo mutima w'uwo muhamagaro w'Imana urengeye umunyakazi.

Nk'umuhanuzi Izaya, Imana yashatse kubikorako ati : « Mbega ndungike nde ? Ntume nde ngo ankorere mu murima wa Les Presses. Umw'umwe wese, mu kwemera gukora akazi ako ariko kose yarishuye mu buryo bwiwe ati : « Ndi hano, ntuma ». Yaranabibukije ko Imana yaturemye idushira kw'isi kugira ngo tuyitunganye.

Kugira kandi iyi si n'ijuru bibeho Imana yarakoze imisi itandatu yose ibona kuruhuka ku musi ugira indwi n'aho hari abashako gukora umusi umwe bakaruhuka imisi itandandatu. Muri uwo muhamagaro nta n'umwe abwirijwe kuba uwundi. Umwe wese abwirijwe nyabuna kuza arumviriza ico Imana imubwira kikaba ari co akora.

Yaranibukije ko Karoli Borome Mweranda n'aho yabaye rurangiranwa, ata myaka myinshi yamaze kuko yamaze imyaka 46. Kuva yiyumvisemwo umuhamagaro yarakoze atiziganya.

Yaratorewe n'Ekleziya, araba umusaserdoti, aba Umwepiskopi mukuru afise imyaka 24 gusa. Yaratewe n'irindi teka araba umukardinali, aja kuba umunyamabanga mwishikira wa Papa Piyo wa kane akiri muto : yari amaze imyaka 34.

Yahavuye asubira i Milano, Diyoseze Nkuru yari ashinzwe, aratanguza amarerero y'amaseminari y'irerero ry'abapadiri, ayatanguza yisunze ingingo zari zafundikiwe mu Nama nkuru yabere i Trento mu gihugu c'Ubutaliyano, arigisha abakristu gose, aritwararika aboro bari benshi muri ico gihe, aritwararika abari barwaye akaranda bita akaranda ka Karoli ariko kahavuye kamuhitana.

Yarabaye umwungere mwiza mu kwitwarariko abo yari ashinzwe. Yarabandanije yipfuriza abakozi ba Les Presses Lavigerie kuba abungere beza mu kazi kabo bajejwe muri ico kigo. Yarabasavye ko hatokwigera haba mu bakozi agatima usanga kari mu mashirahamwe amw'amwe ko kuhura abandi canke kubaca intege ngo n'uko iki canke kiriya kitaraboneka.

Inyuka ya Misa irangiye baciye basangira inzimana z'uwo musi aho mbere n'ayandi majambo yo kuryosha Umusi Mukuru yabandanirije. Umuyobozi w'ico kigo Patiri Désiré Niyibizi yaboneho akaryo ko gusanganira abashitsi bari bitavye urwo rubanza ; arasanganira, kw'izina ry'abakozi ba Les Presses Lavigerie, Nyenicubahiro Musenyeri Blaise Nzeyimana yari aje kugira ngo aserukire ikigo Les Presses Lavigerie mu Nama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi. Umusi mukuru warangiye mu kanyamuneza kamuje.

**Nestor Jonathan Niyingumije**
**Umukozi wa Les Presses Lavigerie**